
www.kidworship.kr

# Daniyeli

- Old Testament Ⅱ / 13rd story -




100Page

**Uwuvuga** Umwami Nebukadineza amaze gupfa, umwami Dariyo amusubirira ku ngoma i Babuloni. Umwami Dariyo agomwa ubwitonzi n’inyifato ya Daniyeli hanyuma amugena kuba icegera ciwe. Ariko abasuku bandi ntibamuraba ryiza. Abo basuku barondera intege nke za Daniyeli, ariko babura aho bamuca kuko ata kosa yabonekako.

**Abaganwa** Vyogenda gute ngo umuntu amere gurtyo? Ni umunyakaranga, incabwenge, aciye bugufi kandi aritonda... Ewe, urakunda Daniyeli? Dukeneye kwiga ingene twokuraho uwo mu nyamahanga... Ndafise iciyumviro ciza...raba...

.......................................................................................................................




101Page

**Umuganwa 1** "Mwami wanje, hariho abantu muri iki gihugu batubaha umwami ariko basenga abandi bantu canke izindi mana."

**Umuganwa 2** "Turagusavye usinye urwandiko rutegeka ko abantu bose bazokunamira imisi mirongo itatu."

**Umuganwa 3** “Nihagira umuntu yunamira iyindi mana, azotabwe mu cobo c’intambwe.”


.......................................................................................................................



102Page

**Uwuvuga** Umwami Dariyo yandika ico cete, agishirako umukono wiwe hanyuma abimemyesha abantu. Daniyeli aravyumva ariko ntiyahagarika gufukama asenga Imana incuro zitatu ku musi ayishima.

.......................................................................................................................




103Page

**Umuganwa 1** Hahaha! Nk’uko navyiyumviye nyene...asha..reka nikore mu gahogo. A-hem... Nyeningoma!!!!! Daniyeli akwiriye gutabwa mu rwobo rw’intambwe kuko yarenze ku cagezwe c’igihugu asenga iyindi Mana.

**Uwuvuga** Umwami Dariyo yarakunda Daniyeli cane ariko abura uko abigenza, amuta mu rwobo rw’intambwe. Umwami abarira Daniyeli.


**Umwami** “Muhanyi, Imana yawe usenga ubudahengeshanya iragukiza.”

.......................................................................................................................




104Page

**Uwuvuga** Daniyeli abandanya asenga Imana no mu rwobo rw’intambwe. Umwami ahagarika umutima kubwa Daniyeli, ntiyafungura canke ngo asinzire. Bukeye, umwami azinduka yiruka kuri rwa rwobo rw’intambwe, aho intambwe zishonje zariko ziragota.



105Page



106Page

| | |
|---|---|
| Umwami | "Daniyeli, Daniyeli! Mbega ya Mana usenga ubudasiba yashoboye kugukiza intambwe?" |
| Daniyeli | "Imana yarungitse umumarayika wayo azibira iminwa y'intambwe." |
| Uwuvuga | ........................................................................................................... |
| | Mu rwobo rw'intambwe Daniyeli yasa nuwudasimba umutima. Izo ntambwe naho zari zishonje zaryamye iruhande yiwe zitekereje. Umwami aranezerwa cane. Aca afata ba bandi babeshera Daniyeli. Umwami arakaye abaterera muri rwa rwobo rw'intambwe hamwe n'imiryango yabo. |
| Umuganwa | Uh…uh….hariya, intambwe, nzokwizera Imana ubu k'abandi none?? Sawa?? |
| | Oya…oya…oyaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaaa!!!aaaaaa rrrrrrghhhhhh!!! |
| Abaganwa | Oyaaaaaaaaaaaaaaaaaa!!Aaaaaaaaaaarrrrrghhhhhhhh!! |
| Uwuvuga | Umwami aca asohora ikindi cete gishasha ko muri buri gice c'ubwami bwiwe bwose abantu bazokubaha kandi bagasenga Imana ya Daniyeli. Kuva ubwo, Daniyeli abandanya gusenga Imana yonyene kandi abaho mu mahoro. |